# Ndarahiye kw'izina ry'Uwufise umushaha wanje (wa Muhamadi) mu minwe yiwe, ko mu vy'ukuri ibikoresho bizokoreshwa kuri urwo rugomero, bizoba ari vyinshi gusumba igitigiri c'inyenyeri ziri mu kirere hamwe n'ibizikurikira

Mu vyakiriwe na Abu Dharri (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Narigeze kuvuga nti: "Ewe Ntumwa y'Imana! Ibikoresho bizokwiherezwamwo ku rugomero (rwawe), bizoba bimeze gute?" Ica yishura iti: "Ndarahiye kw'izina ry'Uwufise umushaha wanje (wa Muhamadi) mu minwe yiwe, ko mu vy'ukuri ibikoresho bizokoreshwa kuri urwo rugomero, bizoba ari vyinshi gusumba igitigiri c'inyenyeri ziri mu kirere hamwe n'ibizikurikira, biboneka ukuri kwamye mw'ijoro ry'umwijima w'agahebuza, ibikoresho vyo mu Bwami bw'ijuru, uwubinywereyemwo agahera inyota, izoba ari yo nyota ya nyuma anyotewe, muri nya rugomero hasesera imigende ibiri ivuye mw'isoko riri mu Bwami bw'ijuru, uwunyoye kuri nya rugomero rero ntazogenda asuburiye kunyoterwa namba, ubwaguke bwarwo bungana n'uburebure bwarwo, ni nk'uburebure buri hagati y'ahitwa Ammaani (muri Jordaniya) na Aila (muri Palestina), amazi yarwo arera gusumba amata, akaryoha gusumba ubuki"".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yararahiye ko ibikoresho bizokoreshwa ku rugomero rwiwe ku musi w'izuka, bizoba ari vyinshi cane gusumba igitigiri c'inyenyeri n'ibizikurikira mu kirere. Ivyo bikaba bigaragara neza mw'ijoro ry'umwijima harya ata kwezi kuraseruka; kuko ijoro ryamaze guserukamwo ukwezi, inyenyeri ntiziheza ngo zigaragare neza kubera zakingiriwe n'umuco w'ukwezi, mu gihe muri nya joro ata bicu bihari; kuko ibicu biri mu kirere bibuza umuntu kubona inyenyeri; n'uko ibikoresho vyo mu Bwami bw'ijuru, uwubinywereyemwo ikinyobwa ico iri co cose adaheza ngo asubire kunyoterwa ubuzima bwiwe bwose, bukaba ari na bwo bwa nyuma anyotewe; n'uko urugomero rwiwe hari imigende ibiri iruseseramwo ivuye mu Bwami bw'ijuru, ubwaguke bwarwo bukaba bungana n'uburebure bwarwo; bisigura ko impande zarwo zine zingana, uburebure bwarwo bwogereranywa n'uburebure bwo kuva ahitwa Ammaani iri mu gisagara ca Al-Balqaa-i muri Shaam, kugera ahitwa Aila. Aha na ho hitwa Aila, kikaba ari igisagara kizwi ku nkengera ya Shaam (amaja Palestina). Amazi y'urwo rugomero arera gusumba amata; akanovera kayo nako, kagasosa gusumba ubuki.

النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY

لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC
E-Da'wah Committee